Ikinyamakuru ca Ekleziya Gatolika
Umwaka wa 71
Gisohoka kabiri mu kwezi
Ikiguzi : 500FBu

# NDONGOZI Y'UBURUNDI

«Jewe ndi wa mwungere mwiza »
Jn 10, 11a

Email:journalndongozi@gmail.com
Facebook :Journal ndongozi y'uburundi Rusiziramarembe; Twitter: Ndongozi y'Uburundi
Adresse : Candikirwa, kigasohorerwa muri Ndongozi y'Uburundi. Avenue de la mission n° 06
B.P 690 Bujumbura. Tél.: 222762. WhatsApp 71532337

N°818 1 Mukakaro 2024

## Ku ncuro ya mbere Umukuru w'Ekleziya Katolika afata ijambo mu nama ya G7.

Ku 14 Ruheshi 2024, Nyenubweranda Papa Fransisiko yaritavye inama mu gihugu c'Ubutariyano yahuza ibihugu indwi vya mbere kw'isi ku bijanye n'amahinguriro.

Ivyo bihugu na vyo bikaba ari: Ubudagi, Canada, Reta zunze ubumwe za Amerika, Ubufaransa, Ubutariyano, Ubuyapani n' Ubwongereza.

Mu buzima bw'Ekleziya rikaba ryabaye irya mbere umu Papa afata ijambo imbere y'abarongoye ivyo bihugu.

Ijambo nyamukuru ryari rishimikiye ku bijanye n'ubwenge mpingurano « Intelligence Artifielle» buriko burashirwa mu ngiro n'ivyo bihugu vya rutura kw'isi.

Igihugu c'Ubutariyano kikaba ari co cahaye ubutumire Papa Fransisiko cizigiye ko ukwitaba iyo nama bizogira ico bifashije mu guha intumbero akarangamutima ko gukoresha neza ubwenge mpingurano.



Foto yo mu bubiko

Soma ku Rup. 4

Abakozi ba Ndongozi
Uwujejwe uruganda:
* A. Noël NTIRANDEKURA
Abamenyeshamakuru:
* A. Noël NTIRANDEKURA
* Mélance NDAYIKEZE
* MSV Marie Goreth NDIKUMANA
Uwujejwe ubuhinga:
* Chanel HARINGANJI
Umunyamabanga:
* MSV Marie Goreth NDIKUMANA
Umunyabigega:
* MSV Nadine HARAGIRIMANA
Uwujejwe imigenderanire:
* J. de Dieu NDIKUMANA

## Amaze imyaka ine, yamaze iki?

***Mw'ijambo rya Nyenicubahiro Evariste Ndayishimiye yashikirije ku musi w'uguhimbaza isabukuru igira kane amaze atorewe kurongora Uburundi yaramenyesheje ibimaze kurangurwa mu gihugu, aho yagize ati :***

1.Turahimbawe kandi ko uno musi ushitse igihugu cose kirangwamwo amahoro n'umutekano, ivyo na vyo bikaba ari vyo vyatumye Abarundi babandanya ibikorwa vy'iterambere. Ivyo biradutera intege n'icizere ko imigambi twiyemeje igihe twatangura amabanga yo kurongora igihugu tuzoyishitsa.

Noneho si agaseseshwa rumuri, wihweje irya n'ino ukabona ubwira Abarundi bariko barangurana imigambi yo kwiteza imbere, urabona neza ko tutavomera mu kiva, tubwira abumva.

Ukubitije naho akajisho ku rugero uburimyi n'ubworozi bigezeko, urabona ko Umunwa wose ufise ico ufungura, umufuko wose uriko urabomboka.

*Barundi, Barundikazi; Bagenzi b'Uburundi,*

2. Twatanguye ikiringo tuvuga ko ihangiro ari uko umunwa wose uronke ico ufungura, twari tuzi neza ko hakora mu nda.

Twavuze kandi ko umufuko uronka amahera kugira umuntu wese aba mu Burundi ashobore kwikenura mu kuronka

Soma ku Rup. 3

## Ibirimwo

o Amaze imyaka ine, yamaze iki?....4
o nkingi, amahaniro ya kazoza n'ico imbonakazoza yipfuza....7
o Imvugo itababaza mu mashure....8
o Uburezi bururndu n'inkurirkizi zabwo....10

# Umunsi w'Imana ugira 14: Umwaka B

## Igisomwa ca mbere: Ezekieli 2, 2 - 5

Ivyo dusoma mu gitabu c'Umuhanuzi Ezekieli:

(*Umuhanuzi hagati y'abagarariji*)

Umutima winjira muri jewe mu gihe yariko aranyagira; urampagarika, ndaheza numva uwariko aranyagira. Ambwira ati: «Mwana w'umuntu, ndagutumye kuri bene Israyeli, ku makungu y'ibigaba yangararije; bo na ba sekuru babo barangararije gushika n'ubu nyene. Abo bahungu bakabiranye mu maso, kandi b'umutima ukomantaye ni bo ndagutumyeko. Uzobabwira uti: "Ng'uku uko Umukama Imana avuze". Na bo, bakwumviriza canke bakareka, kuko ari umuryango w'abagarariji, bazomenya ko hari umuhanuzi muri bo.

## Igisomwa ca kabiri: 2 Abanyakorenti 5,14-17

Ivyo dusoma mw'Ikete rya kabiri Umutumwa Paulo yandikiye Abanyakorenti :

(*Ndihayagiza mu magara make yanje, kugira ngo Kristu abe ariwe ankomeza*)

Ncuti zanje,
Mbere kugira ngo ivyiza vy'akatabonetse nahishuriwe ntibintere kwishima, narashinzwe umusonga mu mubiri, intumwa y'ishetani iza iranokeza ngo sinishime. Kubera ivyo, gatatu kose naratakambiye Umukama ngo imvemwo. Ariko we yangize ati: «Inema yanje iragukwiye, kuko ubukomezi bwanje bwiboneka mu magara make.» Ni co gituma nzoshima kwishimagiza canecane mu magara make yanje, kugira ngo ubukomezi bwa Kristu bugerere muri jewe. None rero mpimbarwa mu magara make, mu bitutsi, mu makuba, mu ruhamo no mu maganya mbona ku bwa Kristu, kuko aho hose ndi umunyantege nke, ni ho mba nkomeye.

## Inkuru nziza : Mariko 6, 1 - 6

**Alleluya! Alleluya!**

*Umutima w'Umukama uri kuri jewe; kuko yandungitse kuburira Inkuru nziza aboro.*

**Alleluya!**

Ivyo dusoma mu Nkuru Nziza ya Yezu Kristu nk'uko yashikirijwe na Mariko :



«*Nta handi umuhanuzi asuzugurwa atari mu ntara iwabo, mu ncuti ziwe no mu muryango wiwe.*»

Yezu avuye aho, asubira mu ntara iwabo, abigishwa biwe baramukurikira. Isabato igeze, atangura kwigishiriza mw'isinagoga. Abantu benshi bamwumviriza baratangara, bavuga bati: «Mbega uwo ivyo yabikuye hehe? Mbega ubwitonzi uwo yahawe hamwe n'ibitangaro mwene ivyo akora ni nyabaki? None si wa mubaji, umuhungu wa Mariya? Si mwenewabo na Yakobo na Yoze na Yuda na Simoni? Bashikiwe ntituri kumwe ngaha?»

Maze atuma bazazanirwa. Yezu arababwira ati: «Nta handi umuhanuzi asuzugurwa atari mu ntara iwabo, mu ncuti ziwe no mu muryango wiwe.» Nta n'ibitangaro yashoboye gukorera aho hantu, atari abarwaye bakeyi yakijije mu kububikako ibiganza. Araheza atangazwa n'ukutemera kwabo. Yezu rero akwira ibigwati vyo muri iyo micungararo yigisha.

# Amaze imyaka ine, yamaze iki?

(Bitangurira ku rup.1

ubuzima bwiza. None imyaka ine irarangiye ; reka kabe akaryo ko kurimbura intambwe tugezeko mu migambi twari twiyemeje.

3. Ica mbere dushima, ni ugushimira Imana Mushoboravyose kuko twarasenze turumvirwa, Imana irugurura ijuru turaronka imvura ivuye mw'ijuru, yongera iratwugurura amaso turabona ko dufise amazi yiburuka mu misozi no mu mibande, ko rero atodupfako ubusa.

Abarundi barakanuye, barabona ko umuntu wese atungwa n'ibikorwa vy'amaboko yiwe. Twese hamwe, kuva ku rwaruka, abakenyezi n'abagabo bakuze, twaravuye hasi turakora.

Uno musi nshimishwa ko no mu majambo y'imyidogo numva, bavuga bati "turabuze iki" mugabo ntibavuga ngo "turabuze amahera yo kukigura". Kandi n'ico bavuga ko babuze si icimburwa c'Uburundi, ni icimburwa mvamakungu.

Turashimishwa n'ukubona kandi ko Abarundi batahuye ko turi kumwe twese bishoboka, barasubira ku muzi, abenshi barijukira gukorera hamwe mu kibiri, ndetse batahura ko n'amatongo bayashize hamwe bizana akarusho.

*Barundi, Barundikazi; Bagenzi b'Uburundi,*

4. Mu rugamba twatanguje rw'iterambere hariho intambwe zikurikirana. Ariko kubera twacerewe,duhakwa guterera imigere ibiri rimwe: kuko ubwambere tugwana tuva mu kinogo Abarundi baguyemwo bakakimaramwo imyaka n'imyaka.

Uno musi Umurundi wese ashakira vyose rimwe, ni co gituma uwubifatiye hejuru yovuga ko Abarundi ari intashima. Kuva rero mu 2020, vyari ngombwa ko turaba ibiruta ibindi, kuko imigere ibiri idatereka.

Muri ivyo hari ibihambaye kurusha ibindi, na vyo bikaba ugutsimbataza ubutegetsi bw'igihugu kugirango buhagararire amahoro n'umutekano, ubutungane no kugwanya akarenganyo, hamwe rero no gukingira itunga ry'igihugu n'iterambere.

5. Mu gutsimbataza ubutegetsi bw'igihugu, twareretse Abarundi itandukaniro riri hagati ya Leta mvyeyi na Leta nkozi kugira umurundi wese, yaba umukozi wa Leta canke uwikorera ivyiwe, amenye uruhara rwiwe mu vyo akora.

Hariho abo vyagoye, maze birabananira kuvyinjiza mu mizirikanyi yabo, ari bo bahavuye mbere baduhemukira, haba mu guhungabanya umutekano, mu bunebwe canke mu kwonona itunga ry'igihugu. Ariko abatari bake baratahuye.

Ni co gituma mubona Abarundi batari bake bari ku kivi. N'abahora bazi ko bazotungwa n'ikigega c'igihugu, baramaze gutahura ko ico kigega nyene ari bo bajejwe kucuzuza.

6. Turashimishwa ko mu bikorwa igihugu cihutiye gukora, amahoro n'umutekano vyagiye imbere, bituma Abarundi bagira umwizero wa kazoza, baratangura gushira imitahe yabo mu bikorwa, gutyo abatari bwaronke ico bakora kibazanira akarusho mu mikoro, baraharonkera akazi. Nta muntu uno musi yohakana ko gutekana kw'imitima vyatumye Abarundi biyumvanamwo, bituma batangura gukorera hamwe mu ma koperative, abandi mbere barateranya amatongo yabo kugira bagwize umwimbu.

Kubera uwo mwizero nyene, Abarundi isinzi barahungutse, abandi bahitamwo guhindura karangamuntu y'impunzi bisabira kuba abakozi bo muri ivyo bihugu bari barahungiyemwo. Tuboneyeho gushimira ivyo bihugu kubona vyarabizeye, bikabona ko batakiri umuzigo kuri vyo ahubwo ari abashitsi mu bikorwa.

7. Ivyo vyose ntivyari gushoboka iyo tutihatira kugiriranira imigenderanire myiza n'amakungu. Uno musi Umurundi aho ageze hose ntagenda ararangaguzwa nk'uko umengo bomuraba ribi.

Abarundi baratemberera ayandi mahanga, abanyamahanga na bo bakaza i Burundi kandi bumva ko batekanye. Ikinezereye kurusha ibindi, ni uko amakungu yose yemera ko kera Uburundi wari umutwaro w'amahanga, none ubu bukaba bwabaye umutabazi mu bihugu bitararonka amahoro. Kumwe n'ivyo, ubu n'amakungu arashima ko agateka ka zina muntu gakingiwe mu Burundi. Kukaba nkako, Abarundi barafise umwidegemvyo wo kuvuga ikibabakiye no gutanga intererano ku vyokorwa kugira abenegihugu baroranirwe. Uburundi buri mu bihugu bike umwenegihugu ashikira umukuru w'igihugu atahandi aciye.

8. Muri ubwo buzima bw'abenegihugu nyene, twatanguye iki kiringo c'imyaka indwi abenegihugu bafise umwitwarariko w'akarenganyo bagirirwa n'indongozi zo mu nzego zo hasi, ubutungane n'igiturire. Uno musi abatari bake baratwenga kuko hari umutwaro twabaremuruye.

Mu kugwanya akarenganyo twahaye uburenganzira abenegihugu bwo kwihamagarira umukuru w'igihugu ata wundi baciyeko, kugira bashengeze uwo wese abarenganije. Kandi uno musi abatari bake barakenguruka. Tukaba dukenguruka ko n'abahora batanga igiturire ngo indongozi zo hasi zirenganye abenegihugu ubu na bo nyene bacitse inkokora.

Twaragwanije akarenganyo kandi mu guha ibikorwa abakozi b'igihugu mu gushira mu ngiro ya ngendo ngo: "Umuntu wese 6 bamuhe igikorwa bakwiranye"

Ibikur. urup. 5

# Ku ncuro ya mbere Umukuru w'Ekleziya Katolika afata ijambo mu nama ya G7.

(Bitangurira ku rup.1




Bagafatira akarorero kw'ijambo Umweranda Yo-hani Pawulo wa II yashikirije ku wa 2 Gitugutu 1979 mu nama ya ONU aho yavuze ko « Politike y'igihugu n'iyo isi yose iva ku muntu, igakorwa n'umuntu kandi ikaba iyo umuntu. »

Ni ibihe vyiyumviro nshimikiro ku bijanye n'ubwenge mpingurano Papa yashikirije imbere y'ibihugu vya rutura mu vy'amahinguriro n'ibindi vyari muri iyo nama bitari mwuwo mutigiri ?

***Ubwenge mpingurano busigaye bukora ku mpande nyinshi z'ibikorwa vya kiremwa muntu.***

**Ubwa mbere**, afatiye kw'ijambo ry'Imana dusanga mu gitabu c'Amamuko 35,31 : « Yamwujuje umutima w'Imana, umutima w'ubwitonzi, w'ubwenge, w'ubumenyi n'ubuhinga muri vyose. » Papa Fransisiko aremeza ko ubwenge n'ubuhinga umuntu afise, ari ivyamwa bihimbaye vy'ingabirano Imana yashize mu muntu. Ni ubwo bwenge Imana yahaye umuntu butuma haba ubwo bwenge mpingurano.

Ubwo bwenge busigaye bukora ku mpande nyinshi z'ibikorwa vya kiremwa muntu : mu buvuzi no mu bikorwa vya minsi yose ; mu bijanye n'akaranga no kumenyesha amakuru ; mu bijanye n'indero hamwe na politike.

Umuntu akiyumvira ko ugukoresha ubwo bwenge bizotuma amahinduka ku bijanye no kubaho, imigenderanire hagati y'abantu, muri kazoza hakazoba impinduka mu bijanye n'akaranga k'abantu.

**Ubwa kabiri**, ubwo bwenge buratuma umuntu agira amakenga yiyumviriye inkurikizi mbi zabwo mu bantu.

Nk'akarorero guha imashini igikorwa cahora gikora umuntu hamwe n'imanga nini y'ubugunge hagati y'ibihugu bitunze n'ibihugu bikenye; hagati y'imirwi y'abantu bifise n'abatifise bukabera intambamyi akaranga keza ko guhura n'abandi bashize imbere akaranga kabi ko kukutabonana n'abandi.

Muri kamere y'umuntu, arahamagariwe gufata ingingo, si uguhitamwo gusa.
Ugukoresha rero ubwo bwenge mpingurano bizotuma umuntu agoberewa : « kuri kazoza katagira umwizero mu kwaka umuntu ububasha bwo gufata ingingo ubwiwe n'ububasha bw'abandi mu kubagoberera kugabwa n'imashini. »

Papa aratanga akarorero ku bijanye n'ibirwanisho bicira umuriro bikoreshwa n'ubwo bwenge, agasaba ashimitse ko ibirwanisho bikozwe muri ubwo buhinga vyohagarikwa.

Nta mashini nimwe yoshobora gufata ingingo yo kwaka ubuzima umuntu.

***Intambamyi mu bucamanza***

Papa kandi aratanga akarorero k'intambamyi abona mu gukoresha ubwo bwenge mu bucamanza, akiyumvira ingene imashini yoshobora gucira urubanza umuntu mu gihe ababurana batashikirije ibirego.

Papa akabona ko ubwo bwenge buzohohosha agateka ka zina muntu mu gihe n'ubundi vyagaragara ko ako gateka kariko karahonyangwa no mu bihugu vya Buraya nyene. Aheraheza asaba ko umwe wese ahamagariwe kwiga ikoreshwa ry'ubwo bwenge, umuntu akagumana agateka kiwe.

Inyuma yiyo nama, ibihugu bihurikiye muri G7 vyaragize icegeranyo. Ku bijanye n'ubwenge mpingurano. Ivyo bihugu bihuriza ko ubwo bwenge ari intambwe mu guteza imbere ibihugu n'amahinguriro yavyo.

Bakiyemeza kuzobikora bashize imbere agateka ka zina muntu, ukubahiriza amategeko agenga abakozi n'akazi, ukutagira n'umwe bakumira mw'iranguka ry'iryo terambere.

Tubamenyeshe ko Papa, inyuma y'ijambo yashikirije, yahaye n'umubonano bamwe mu bari bitavye iyo nama hamwe n'abayitavye batari mu rutonde rw'ivyo bihugu mbere akaba yarakiriye na Prezida William Ruto w'igihuga ca Kenya.

*MSV M. Goreth Ndikumana*

# Amaze imyaka ine, yamaze iki?

(Bitangurira ku rup.3

mu kugena Abarundi mu mabanga. Ubu twaravavanuye na yamvugo ngo naka ndamuhe iki? Ngo naka ndamushire hehe? No mu gutanga ibikorwa vy'ubuhinga, ubu ahatari hake dutunganya amahiganwa, uwurusha uwundi akaba ari we ashirwa mu gikorwa.

9. Mu bijanye n'ubutungane, ubu mu gihugu ntawugikora icaha ngo cijane. Inzego z'inyamiramabi n'abashikirizamanza baragira amatohoza kandi inkozi z'ikibi zigafatwa, zigashengezwa bataravye igihagararo c'inkozi y'ikibi.

Hadutse amatati hagati y'abantu naho, naho tutarashika kw'ihangiro nyezina, haraboneka akarusho kuva aho dushingiye intahe yo ku mugina igizwe n'abahuza bo ku mitumba, tukongera tugakomeza Inama nkuru y'ubucamanza kugira uwaciriwe urwa ngodagonde n'amasentare yo hasi ashobore kuronka urwego yitura.

Ivyo vyose bigiye kuronka akarusho aho ibwirizwa rishasha rishingiye ko hasasa umucamanza umwe kugira ngo ahinyuke aciye urwa ngondagonde. Izo ngingo zose, turabona ko zazanye impore mu gisata c'ubutungane, naho tugihanzwe n'ibirarane vy'imanza zaciwe nabi mu bihe vyahera. Tukaba twizeye ko nazo nyene zigiye gutunganwa ku neza y'ababuranyi.

10. Kubijanye n'ubutungane bunywanisha, turategera akababaro Abarundi bafise ko wa mugwi wo kurondera ukuri no kurekuriranira utaraheza igikorwa, kugira ngo ingingo zijanye n'icokorwa ku vyabaye zifatwe. Mbere ako kababaro kariko gatuma hari abashaka kudushira mu nzira idashika. Abo twobasaba kwihangana bizigiye ko umubabaro wabo ari uwacu, kandi ko karya gatima ko kwihangana bagize kuva ubwicanyi buba ari ko kobaranga.

Ahandi hoho twohava tumera nka wa wundi yavuga ko impembo y'umwana ipfa mu magodoka; kuko iyihuse yavyaye ibihumye.

Ndabijeje ko ukuri tumaze kumenya ataho kuzoja, bitebe bitebuke ingingo zizofatwa. Ku bijanye n'amatongo n'ayandi matungo na ho nyene nimureme, kuko ubu twahejeje gushinga ibwirizwa, umugwi ubijejwe ukaba ugiye kuja ku kivi.

11. Mu gukingira itunga ry'igihugu n'iterambere, twarihutiye cane kugwanya ba kaboko, abaryi b'ibiturire n'abonona itunga rusangi. Muri ico gikorwa, gukomeza intwaro ibereye ituma ikigega ca Leta gikora ibikorwa biramira abenegihugu.

Ni co gituma twahinduye vyinshi mw'itunganywa ry'ibikorwa vy'ikigega gikuru c'igihugu cari kigeze habi. Ubu rero, naho hari abagifise agatima ko kuyigabanya ubushobozi, biraboneka ko ibanki nkuru y'igihugu yagarukanye akanovera kayo, ubu koko ni ibanki y'amabanki mu gihe yari yarahindutse ibanki y'abikorera ivyabo.

Tugitangura ikiringo, twarabonye ko hariho abantu bari bafise intumbero yo kuburagiza ubutunzi bw'igihugu mu kuburagiza ko amahera yinjira mu kigega, mbere n'amahera mvamakungu ntaharurwe mu butunzi bw'igihugu.

12. Urugamba rwo gusubiza ibintu mu buryo twararutanguje kandi rurabandanya. Intumbero ni uko amahera agenewe kwinjira mu kigega yinjira yose, kandi agakoreshwa yose ku neza y'abenegihugu.

Ni co catumye dutangura isekeza ryo kugwanya abantu bose bacisha ibidandazwa mu binywabi, haba mu gushora canke mu kugurira hanze y'igihugu.

13. Urwo rugamba rwo kugarukira ubutunzi bw'igihugu rusaba ko abenegihugu bose barereka ko ibidandazwa twashoye hanze bizana amahera mvamakungu, ndetse ko n'amahera azanwa n'ingenzi zigendera Uburundi aja mu kigega c'igihugu.

Ni muri iyo ntumbero turiko dukora ibishoboka vyose kugira ibigega vy'abikorera ivyabo mu gihugu bikingirwe. Urugamba rw'ubutunzi n'iterambere rusaba kandi gukingira ifaranga ry'Uburundi. Igikorwa gikomeye co gukingira ifaranga ry'uburundi ni uko Abarundi twese tuja mu bikorwa vyo kugwiza umwimbu, gutyo tugire umusesekara uzotuma dushora mu makungu. Ivyo bizotuma ivyimburwa vy'Uburundi ari vyo bivamwo amahera mva makungu yo kugura ivyo tutiyimburira.

Ni co gituma dutera intege abarundi bose kugira bashire imitahe yabo mu bikorwa birema ubutunzi, haba mu guhingura isi ndimwa, guhingura ubutare dufise, gukwegakwega ingenzi canke gukoresha ubwenge Imana yaduhaye. Amahera avuye muri ivyo ni yo aha agaciro ubutunzi bw'igihugu.

14. Ni muri iyo ntumbero mwabonye ko Uburimyi twabugize amayeri y'urugamba rw'iterambere. Abarundi barafashe umwiyemezo vyo gukora ibishoboka ngo umunwa wose uronke ico ufungura, umufuko uronke amahera. Ubutegetsi bw'i-gihugu na bwo, mu guherekeza uwo mwiyemezo w'abenegihugu, bwarageragejе mu gufasha gusahiriza abenegihugu mu gutanga ibice 75% ku mahera boguze ifumbire n'imbuto.

Dufatiye kuri ako karorero, turemeza ko ejo aho bukera, igisata c'ubutare n'igisata c'ingenzi n'ubumenyi bizotera imbere kugira Umurundi wese aronke amikoro ashobora kumukenura.

*Biracaza*

*Patiri Noël Ntirandekura*

# Inkingi, amahangiro ya kazoza n'ico imbonakazoza yipfuza *(Ibikurikira)*

Ihangiro rya 4

***Guteza imbere uburimyi burwiza ubutunzi n'imfungurwa zikwiye***

Nk'isoko nyamukuru ry'umwimbu hamwe n'ico bifatirwako mu guharura uko imiryango ifungura, uburimyi bubwirizwa kwitabwaho bidasanzwe, bushirwemwo imitahe myinshi haba mu bikoresho bigezweho, ha-mwe n'abarimyi kugira turwize umwimbu n'iterambere muri ico gisata, gukomeza na ntaryo igikorwa co kubangikanya uburimyi n'igisata c'amahinguriro kugira twubakire k'ukurwiza umwimbu ku ngero zose z'uko bikorwa, mu ntumbero yo kubironsa akanovera.

Mu ntumbero y'Uburundi, igihugu cifashe, ibikorwa vyinshi bibwirizwa kurangurwa mu ntumbero y'imigambi y'iterambere, kugira hakomezwe igisata c'uburimyi gisanzwe gisahiriza mu kuronka imfungurwa zikwiye mu kwimbura ibifungurwa, no mu kurwiza ubutunzi biciye mu kurwiza umwi-mbu w'abarimyi.

Birakenewe guteza imbere ikintu gituma haba kugwiza amahinguriro atanga akazi n'iterambere, mu ntumbero yo gutera intege igisata c'abakora ibikenewe mw'iterambere ry'amahinguriro ashingiye ku bikomoka mu burimyi.

Uburundi bukeneye uburimyi n'igisata c'amahinguriro y'ibiva mu burimyi, nk'igisata gitanga akazi, kandi gikwegakwega abarwizatunga ngo baze ku gishiramwo imitahe, igisata kiriko kiratera imbere ariko cubahiriza ibisabwa mu gukingira ibidukikije.

Ihangiro rya 5

***Kwongereza urugero rw'umuyagankuba no kworohereza abawukeneye***

Uguhingura umuyagankuba ni nkenerwa cane kugira habe impinduka mu nyubako y'ubutunzi hamwe n'iterambere rirama. Naho biri uko, Uburundi bwaramaze igihe c'imyaka myinshi buri mu bukene bw'umuyagankuba, n'inyubako zihasanzwe zirashaje, kanatsinda zimwe muri zo zubatswe mu myaka yo kwikukira kw'-Uburundi.

Kubera ivyo, igisata c'amasoko ntanganguvu ni igisata gikeneye gushirwamwo imitahe minini, kugira ngo inyubako n'ibikoresho bihasanzwe bishobore kunagurwa, hanyuma dushobore guhingura umuyagankuba mwinshi ku giciro kigereranye, kugira uno muyagankuba uterere mu gushika k'Uburundi bwifashe, na canecane muri iki gihe twinjiye « mu karere ka Afrika ko guhanahaniramwo ibida-ndazwa ata kirishwe - ZLECAF ».

Ukwongereza umwimbu ku rwego rw'igihugu rw'ibintu n'ibikorwa hamwe no gushoboza abenegihugu kuronka umuyagankuba, na canecane ku bari hagati mu gihugu n'ababa ku nkengera y'ibisagara.

Ihangiro rya 6

***Kunagura inyubako nkenerwa no gushobora gushika mu bice vyose***

Uburundi burakeneye kuba bufise inyubako zitunganije neza, ni ukuvuga, zifasha mu kugwiza umwimbu no mu kwongereza ububasha bwo kugwiza umwimbu, hamwe no mu gutera intege igikorwa co kuzamura ubutunzi muri rusangi (kwimbura-guhingura-kudandaza) ku ruhande rumwe, no kugira ico wungukiye mu mahirwe atangwa n'imiryango y'ibihugu bisangiye uburere (CER) gisanzwe gikukira, eka n'ahandi, mu ntumbero y'akarere ka ZLECAF.

Kugira habe iterambere riboneka ry'ubutunzi mu Burundi, ibikorwa bidasanzwe bibwirizwa kurangurwa mw'iterambere ry'inyubako zijanye n'ukwunguruza abantu n'ibintu, biciye mu nzira zitandukanye nko mu mabarabara ya kijambere kandi yubatse neza, kugira bishobore gushika mu bice vyose vy'Uburundi no kworohereza ihanahanwa ry'ibidandazwa n'abakozi, ibikoresho bijanye no kwunguruza ibidandazwa n'abantu biciye mu mazi no ku ndarayi, kugira tubashe kwugururira Uburundi kw'ibahari kandi igihugu kihungukire aho gisanzwe giherereye muri aka karere (umurwa mukuru w'Ubutunzi i Bujumbura), mu ntumbero yo kworosha ihanahanwa ry'ibidandazwa n'imiryango y'ibihugu bisangiye akarere ka CER na ZLECAF.

Vyongeye, iterambere ry'inyubako zifasha abarundi gukoresha ubuhinga bwa none bwo guhanahana amakuru no gutumatumanako rizoshobora guteza imbere ibikorwa bitanga umwimbu, gutyo bigatanga umwimbu wisununuye, ari nako horoshwa kandi hatezwa imbere urugero n'akanovera ko guhanahana ibidandanzwa hagati mu gihugu, co kimwe n'abo dukorana bo hanze y'igihugu.

Ukunagura inyubako bizofasha kugabanya ikiguzi cavyo, gutera intege umurindi wo kuja hamwe mu karere biturutse mu kworosha uruja n'uruza rw'abantu n'ibintu mu karere, tutibagiye ico ibi bishobora kwungura igisata c'ingenzi n'ibindi bikorwa vyose hamwe n'amahinguriro atandukanye bijanye (ubuhinga bwo gucapa, kubumba, n'iyindi myuga....).

*Ibikur. urup. 8*

# Imvugo itababaza mu mashure *(Ibikurikira)*



Foto: Chanel HARINGANJI

Mu Kirundi bati: *« Ntazibana zidakomanya amahembe »*. Mu buzima bwa misi yose, mu mibano y'abantu haba imuhira, mu butumwa canke mu buzi butandukanye tutibagiye kw'ishure, birashika abantu ntibahurize ku bintu, bigaturukamwo amatati, bakazofata umwanya munini w'ukuyatatura, ahanini yaturutse ku majambo mabi abantu babwiranye kuko amajambo arashobora kuba impome abantu biyugaraniramwo canke amadirisha atuma bahura, bakayaga bahuza.

Uburyo bubereye rero guki-nga ayo matati harimwo imvugo idakomeretsa, imvugo itababaza mu gushikiriza iciyumviro canke impanuro.

Umuyobozi mwiza, kugira ngo ashike kw'ihangiro yihaye ari kumwe n'abo bafashanya kw'ishure, ahamagariwe gukoresha imvugo itababaza mu buryo bukurikira:

- Kwitunganya neza ubwiwe mu mico no mu migenzo imbere y'ugutunganiriza abandi. Ngo «Ntawutanga ico adafise».

« Ni co gituma umubwiriza ategerezwa kuba umuntu azira akanenge (…)» (1 Timote 3, 2). Yoba umuntu ashitsa ijambo yiyemeje, adahindagurika mu mvugo yiwe kuko bica bijuragiza abo arongoye;

- Kihweza neza ibintu, kwumviriza neza abantu ataho ahengamiye ata bishobisho canke guca urubanza nka kurya inyamiramabi ikora amatohoza idahengamye, ikurikije amategeko kugira imenye ukuri.

Imvugo itababaza irasaba gutomora neza ikibazo igihe umuntu ariko arabaza, n'ukwitegurira kwakira inyishu idashimisha ivyipfuzo vyawe. N'aho kenshi bitoroshe kwakira, bituma ikiyago kiba umunoni kikabandanya neza;

- Kwishira mu kibanza c'uwundi mu ngorane arimwo kumwe Pawulo abitwibutsa. «Nimunezeranwe n'abanezerewe, nimurirane n'abarira » (Abanyaroma 12, 15).

Hagize umurerwa canke umwigisha agira ikibazo kw'ishure ndetse n'imuhira, umuyobozi hari imvugo ategerezwa kwirinda : « Biramusha ni we vyega » canke ngo «Ni ibisanzwe». Ayo majambo arasesereza umutima, umuntu agaca yihebura;

- Kwizera abandi barangurana imirimo, ni ho na we nyene bamwizigira. «Umwizero ndabafitiye ni mwinshi cane, iteka muntera ni ryinshi rwose.

Uruhoza ruranyuzuye, akanyamuneza karansya mu bitugora vyose» (2 Abanyakorenti 7, 4). Umuyobozi yokwirinda kwikeka bamwebamwe mu bo ajejwe mu kubima ijambo mu nama.

Hari abagira bati « Wewe nta co uvuga ndazi uvyo uvuga ni vya bindi ». Iyo mvugo irababaza uwagira ashikirize iciyumviro, no hanyuma agaca atinya kugira ico avuze, mbere n'abandi bakagira gutyo ugasanga rero ihangiro ishure ryari gushikako ntirikunze kubera hari ivyiyumviro vyanigiwe mu menshi ntibishikirizwe bivuye ku mvugo ikomeretsa y'umuyobozi;

- Gushira imbere ikiyago mu migenderanire ya misi yose kubera ko igihe hari abantu badashaka kwumviriza, kuvuga mu guserura iciyumviro canke kutagira iciyumviro gishikirijwe n'uwundi, imigenderanire hagati yaberwa n'indero kw'ishure igenda nabi n'ihangiro ntibaheze ngo barishikeko;

- Kumenya gushikiriza neza iciyumviro. Umurongozi mwiza kugira ashikirize iciyumviro ategerezwa kubanza kuzirikana neza ico agira avuge ko ari ukuremesha, gusaba, gutera intege abandi canke kugondoza kandi akaraba ko agira abishikirize ashavuye canke ahimbawe;

- Kwumviriza uwundi utamuciramwo mu kugumya ururimi. No mu Kirundi tugira tuti: «Uwuja kwumva arumviriza». Naho bitoroshe kugumya ururimi, umuyobozi mwiza ahamagariwe kuvyihatira, akavyimenyereza, ntacire mw'ijambo uwuje amugana canke igihe bari mu nama;

- Gutegekanya umwanya n'ikibanza bibereye vy'ukwakiriramwo abantu. Umuyobozi yokwirinda ko abantu bagenda baramubwira ijambo ariko aratambuka bamwiruka inyuma umenga ntabinezwe;

- Kwigizayo ibisamaza mu gihe c'umubonano. Mu gihe ca none hari abo bishika ugasanga wagiye kumusaba ijambo ariko akabandanya avugana n'abandi kw'itelefone.

Igihe atumvirije neza ikibazo n'inyishu atanga ntiheza ngo ibe nziza. Mbere birashika ugasanga hariho abasamara, agaca akubaza ngo: « Mbega wari uvuze ngw'iki? » canke ngo «Twari tugeze he? »

Ivyo bibazo birakomeretsa uwari yaje gusaba ijambo kuko bica bibonека ko umenga umurongozi yabifashe minenerwe, kanatsinda ni vyo.

Ibik. urup.9

# Inkingi, amahangiro ya kazoza n'ico imbonakazoza yipfuza *(Ibikurikira)*

*(Bitangurira ku rup.6)*

Ihangiro rya 7

***Gutunganya no gukomeza igisata c'ubutunzi ku rwego rw'igihugu***

Mu ntumbero y'iterambere, ubwa mbere, ugukomeza neza igisata c'ubutunzi ku rwego rw'igihugu, bituma abanyamitahe bahurumbira kuzana imitahe yabo mu gihugu n'iyindi migambi ishigikira igikorwa co guteza imbere ubutunzi, ahandi na ho mu kwiyumvira no gushirahamwe imigambi mikuru mikuru y'igihugu.

Mu kwinjira kuri uwo murongo w'iterambere ryerekeza kw'iterambere ry'igihugu, Uburundi burakeneye gukoresha inguvu zose zikenewe mu nzira yo gutunganya neza inyubako, hamwe n'ibiranga umugambi mukuru ugenga amafaranga no gutunganya ifaranga ry'Uburundi n'ayandi mafaranga mvamakungu, umugambi mukuru ugenga amafaranga akoreshwa n'igihugu hamwe no gufata ingurane kugira habe uburinganire mu vy'ubutunzi ku rwego rw'igihugu.

Ibi bisigura ko bategerezwa kwama bariko baragenzura na ntaryo uko ubutunzi bwifashe ku rwego rw'igihugu, kugira hiyumvirwe hakiri kare ingingo zibereye zo gutorera umuti ikibazo, mu gihe habaye ihungabana ry'uburinganire haba hagati mu gihugu (ku bijanye n'ibiciro, ingurane…) canke hanze y'igihugu (uburinganire mu bidandazwa, uko ifaranga rigereranywa n'irindi).

Mu yandi majambo, Uburundi burakeneye guhinyanyura aho buhagaze mu bijanye n'uko ubutunzi nyezina bwifashe ku rwego rw'igihugu, na cane cane urugero rw'ibihari n'ibikenewe.

Gutunganya neza igisata c'ubutunzi ku rwego rw'igihugu ni ikibazo gikomeye kibwirizwa gutorerwa umuti hagati mu gihugu, mw'itunganywa ry'imigambi mikuru mikuru no hanze y'igihugu, kugira hubahirizwe ibimenyetsomfatiro vyemejwe n'amashirahamwe y'ubutunzi Uburundi bwinjiyemwo.

Ihangiro rya 8

***Guteza imbere igisata c'amahinguriro ku buryo gishobora guhiganwa n'ayandi***

Iterambere ry'amahinguriro rifse akamaro kadasanzwe, rifasha kuduza umwimbu kuri buri muntu ku mwaka, ariko kandi, kugira igihugu giseruke kw'isoko ku rwego rw'akarere, rwa Afrika na mpuzamakunga.

Ku bijanye n'uko igisata c'amahinguriro cifashe ku rwego rw'igihugu, iterambere ry'ico gisata ni ngombwa kugira Uburundi bushobore gutera imbere; ivyo na vyo bisaba imitahe minini hashingwe amahinguriro hisunzwe ubuhinga bwa none, no gukomeza ubushobozi bw'amahinguriro ahasanzwe na canecane mu bisata vy'uburimyi n'ubworozi, ubutare, n'ibindi.

Mu ntumbero yo gutuma Uburundi buba igihugu cifashe mu mwaka w'2040, hamwe n'igihugu gite-ye imbere mu mwaka w'2060, iterambere ry'igisata c'amahinguriro (mu bijanye n'uruhara rw'igisata kimwe kimwe umwimbu uharurwa kuri buri muntu ku mwaka - PIB) bitegerezwa kujana no guhiganwa muguhigura vyiza.

Ibi bisigura ko hategerezwa kuboneka urugero rwiyongereye rw'ibidandazwa bihinguwe, bifise akanovera gakwiye kandi bifise agaciro kisununuye kugira bishobore gufasha no kuba ku rugero rukwiye ufatiye ku vyo abo mu karere, muri Afrika, n'ab'ahandi bakeneye.

N'ubwo biri uko, hari ivyo gukora vyinshi kugira hongerezwe ubumenyi-kinyamwuga bw'abakozi, inyigisho, no gutera intege hamwe no guserura impano zijanye n'ibikenewe mu guteza imbere igisata c'amahinguriro no kwongereza akanovera k'ibihingurwa m'Uburundi.

Ihangiro rya 9

***Guteza imbere igisata co kuziganya no kuguranana hamwe n'ubuhinga bwa none bukoreshwa mu guhanahana amakuru no gutumatumanako (TIC)***

Nka kimwe mu bituma haba iterambere ry'igihugu, ugushobora gushikira ibisata vyo kuziganya no kuguranana ni nkoramutima, kugira ngo habe iterambere ry'igisata ca Reta n'ic'abikorera utwabo.

Kugira dushobore kwinjira neza mu nzira y'iterambere, Uburundi bubwirizwa gukomeza no kwagura imigambi n'ibikorwa, kugira buduze urugero rw'ababitsa bakabikuza (ku benegihugu bose barenza imyaka icumi n'umunani).

Ibikorwa vyose vyokorwa kugira haduzwe urugero rw'abantu bakuze babika bakabikuza mu ma banki bibwirizwa guherekezwa na ntaryo n'ibikorwa vy'ubuhinga ngurukanabumenyi (TIC).

*Biracaza*

***Ndongozi y'Uburundi***

# Imvugo itababaza mu mashure

*(Bitangurira ku rup.6)*

- Kwirinda imvugo ifobetse canke gukankama hamwe abantu bose bagira ubwoba bagatinyira umuyobozi ico bitavuye ku cubahiro bamufitiye.

Ibanga ry'ukuyobora abandi haba mu mashure canke ahandi ni igikorwa c'ukwitondera kandi kirafise agaciro gahambaye, mbere gitegerezwa gutagatifuza uwugikora.

**III.Agacirok'igikorwa mu buzima bw'umuntu** (umwuga w'ukwigisha)

Muri rusangi abantu babona igikorwa gute? Hari impande zibiri:ku ruhande rumwe, hari ababona igikorwa nk'uburyo bw'ukwiteza imbere, ko igikorwa ari co giha umuntu iteka rimukwiye.



Ku rundi ruhande hari n'abandi babona igikorwa nk'igihano Imana yahaye abantu, bakibonamwo umuruho ari na co gituma baca bagikora nabinabi, bayeyemvya, bakagarukira gusa ku vy'agahembo kizana, ni ho haca hava gucungana n'umukoresha. Ni bamwe baca bakora bagira bati: « Akazi k'i bwami kica uwicaye ».

Bishimikiza mbere Ijambo ry'Imana dusanga mu Gitabu c'Amamuko aho Umukama abwira Adamu ati: «Ko wumviye umugore wawe, ukarya ku giti nari nakwihanikirije kuryako, isi izovumwa kubera wewe. Na ntaryo, uzokwama urya ivyayo ubanje kubabara. Izokumerera amahwa n'amatovu, bitayeko uzorya ivyatsi vyo mw'ishamba.

Uzorya ivyokurya ubanje kubira akuya, gushika usubire mw'ivu, kuko n'ubundi ari ryo wavuyemwo. Kuko uri ivu kandi uzosubira mw'ivu.» (Amamuko 3, 17-19). Ni ugutahura nabi: gukora si igihano, Imana ntiyavumye Adamu n'igikorwa ciwe ni isi izovumwa kubera igicumuro. Mbere inyuma y'umwuzurira Imana vyose yabigize bishasha.

Erega ntihobura n'umwigisha aravye inguvu akoresha, umwanya, n'ikirere agenda n'amaguru bigatuma aruha cane, agereranije n'agashahara aronka, yohava yibaza, atamurikiwe n'ukwemera, kokwigisha ari umuruho gusa.

Ni vyo igikorwa kiraruhisha, kwigisha biraruhisha. Ariko igikorwa kiradutera iteka gusumvya umushahara umuntu akuramwo.

*Biracaza*

***Patiri Sylvestre BARAMPAMA***
*arangurira ubutumwa mu gisata c'Ubutungane n'amahoro muri Diyoseze nkuru ya Bujumbura*

## Isarura rirageze: Ikirangamisi c'iyatirwa mw'ibanga ry'Ubusaserdoti muri Ekleziya y'i Burundi

| ITARIKI | PARUWASE | DIYOSEZE |
|---|---|---|
| 06/07/2024 | Cathédrale | Ngozi |
| 13/07/2024 | Bukeye | Bujumbura |
| 13/07/2024 | Makamba | Bururi |
| 13/07/2024 | Gishungo | Ruyigi |
| 13/07/2024 | Gihanga | Bubanza |
| 13/07/2024 | Gasura | Muyinga |
| 20/07/2024 | Makebuko | Gitega |
| 20/07/2024 | Musongati | Rutana |

*Ndongozi y'Uburundi*

# Uburezi burundu n'inkurikizi zabwo

Umwana ategerezwa kurerwa n'abavyeyi biwe ariko hari aho bishika, bivuye ku mvo zitandukanye akarererwa mu wundi muryango wabisavye kandi ukwije ibisabwa n'amategeko.

Uwo mwana arerewe mu wundi muryango hisunzwe amategeko agenga uburezi ni we yitwa umwana w'umurerano.

Uburezi ni kimwe mu vyerekana inkomoko y'umwana kandi burategekanijwe n'amategeko.

***Uburezi buri mu migwi ibiri :***

* Hari uburezi butuma umwana atakaza amateka mu muryango yavutsemwo akayagira mu wumwakiriye

* Hamwe n'uburezi butuma agumana amateka mu muryango yavutsemwo akayagira no mu muryango wamwakiriye.

Uburezi burundu butuma umwana atakaza amateka mu muryango yavutsemwo akayagira mu wumwakiriye.

Uwushaka kuba umurezi abisaba muri sentare nkuru y'Igihugu ni yo iheza ikamwemerera imaze kugenzura ko akwije ibisabwa.

Birumvikana ko uburezi turiko turavuga butandukanye n'ivyo tumenyereye gukora mu gufasha abana dutunze mu miryango yacu.

**1. Ibisabwa kugira uburezi burundu bwemerwe**

***1.1. Ibisabwa ku murezi***

Umuntu ashaka kuba umurezi arafise ivyo asabwa. Bitegekanijwe mu ngingo za 3, 4, 5 na 6 z'ibwirizwa n° 1/004 ryo kuwa 30 ndamukiza 1999 rihindura ingingo z'itegeko rigenga ingo n'abantu mu Burundi ku vyerekeye uburezi zivuga ko umuntu ashaka gutunga umwana w'umurerano aba afise imyaka 30 ni miburiburi.

Mu gihe umurezi yubatse urwiwe, ukwemera kw'uwo bubakanye ni nkenerwa mu gutunga umurerano kiretse iyo atabishoboye.

Imyaka isabwa ku murezi irashobora kudafatirwako igihe umurerano ari umwana w'umwe mu bubakanye canke sentare ikagenzura yisunze impamvu zatanzwe ntifatire ku myaka umurezi arusha umurerano.

Umurezi ategerezwa kuba afise imigenzo myiza kandi afise n'uburyo bukwiye bwo kumurera. Kukaba nkako, umwana w'umurerano, co kimwe n'abandi bana bose, arafise uburenganzira bwo kubaho neza, bwo kwiga, bwo kuvuzwa iyo arwaye n'ibindi vyose vya nkenerwa kandi ivyo vyose ategerezwa kubironswa n'umurezi wiwe.

***1.2. Ibisabwa ku murerano***

Umurerano na we nyene arafise ivyo asabwa kugira ngo ubu burerano bwemerwe.

Ingingo y'8 y'ibwirizwa n° 1/004 ryo kuwa 30 ndamukiza 1999 rihindura ingingo z'itegeko rigenga ingo n'abantu mu Burundi ku vyerekeye uburezi ivuga ko ubureranono butuma umwana atakaza amateka mu muryango yavutsemwo akayagira mu wumwakiriye bwemerwa iyo umurerano atarenza imyaka 15 kandi akaba amaze mu muryango w'umurezi ikiringo kitari munsi y'amezi atandatu.

Umwana arashobora kuba umurerano burundu arenza imyaka 15 mu gihe yakiriwe muri uwo muryango ugomba kumurera atarayishikana ariko abamwakiriye batari bakwije ibisabwa n'amategeko canke igihe hari uburezi butuma agumana ubucuti n'umuryango yakomotsemwo.

Iyi ngingo ibandanya ivuga ko umwana ashikana imyaka 13 afise uburenganzira bwo guserura iciyumviro ciwe kubijanye n'uburezi burundu kandi ko ari we nyene ategerezwa kwiyemerera ko aja kuba umurerano mu muryango uyu canke uriya.

Iri tegeko riratomora uwushobora kuba umurerano uwo ari we. Bitegekanijwe mu ngingo y'10 ivuga ko abashobora kuronswa uburezi burundu ari abana vyemejwe n'abavyeyi babo canke inama y'umuryango ko boja kurererwa mu wundi muryango ; abana barerewe mu bigo vyakira abana b'impfuvyi hamwe n'abana batawe.

**2. Ingene bigenda mu gutanga uburezi burundu**

Uwushaka kuba umurezi arabisaba nk'uko amategeko abitegekanya.

Bitegekanijwe n'ingingo ya 14 y'ibwirizwa n° 1/004 ryo kuwa 30 Ndamukiza 1999 rihindura ingingo z'itegeko rigenga ingo n'abantu mu Burundi ku vyerekeye uburezi ivuga ko ukwemera uburezi burundu gusabwa abavyeyi b'umwana, inama y'umuryango canke uwusanzwe ajejwe uwo mwana kandi bugatangwa biciye mu rwandiko rushizwe ko umukono n'umunyamategeko yashinzwe n'igihugu amabanga yo gusuzuma, kugenzura no kwemeza agaciro k'inyandiko canke rukemezwa n'ubuserukizi bw'Uburundi mu makungu.

*Ibikur. urup. 11*

# Uburezi burundu n'inkurikizi zabwo

(Bitangurira ku rup.10)

Ukwemera ko umwa-na aba umurerano burundu kurashobora gu-korwa kandi imbere y'umuyo-bozi w'igisata kijejwe gukingira abantu no ku-bategekaniriza kazoza.

Imbere yo gutanga ubu-rezi burundu, sentare irasabwa kuraba ko ineza y'umwana ishizwe imbere.

Tubisanga mu ngingo ya 27 ivuga ko sentare nkuru y'Igihugu igenzu-ra, mu kiringo c'amezi atandatu, ko uwushaka gutunga umurerano a-kwije ibisabwa n'ama-tegeko kandi ko ubwo burezi bushize imbere ineza y'umwana muri vyose.

Nk'uko twabonye ko u-murezi ategerezwa ku-ba afise uburyo bukwiye kugira ashobore gutunga umurerano burundu, in-gingo ya 28 irerekana ko mu gihe uwushaka kuba umurezi asanganywe a-bandi bana bamukomo-kako, ategerezwa kuba afise ibibatunga bihagije kugira uwo murerano ntaze gutuma uwo mu-ryango ubaho mu buryo butabereye.

Iyo bishitse uwusavye kuba umurezi akitaba Imana yaramaze kwa-kira umwana ariko sen-tare itari bwashikirize ingingo imwemererera canke imuhakanira gu-tunga umurerano bu-rundu, uwo bubakanye n'uwo yashaka kuba umurezi canke abasi-gwa biwe barashobora kubandanya babisaba kw'izina ryiwe.

**3. Inkurikizi z'ubure-zi burundu**

Uburezi burundu butan-gura kugira inkurikizi kuva umunsi umurezi agiye ku bisaba muri sentare nkuru y'igihugu tubisanga mu ngingo ya 35.

Uburezi burundu bu-tuma umwana aronka uwundi muryango umu-rera usubirira umu-ryango wiwe w'amara-so. Umurerano atakaza amateka mu muryango yavutsemwo akayagira mu wumwakiriye.

Ariko rero, ingingo ya 32 mu gace ka 2 ivuga ko umurerano adashobora kwabirana n'abo mu muryango yavutsemwo nk'uko ingingo za 97 gushika ku y'103 zo mu gitabu c'amategeko agenga abantu n'ingo mu Burundi zisanzwe zitegekanya ababujijwe kwabirana.

Ingingo ya 97 yo mw'itegeko - bwirizwa n°1/024 ryo ku wa 28 ndamukiza 1993 rigen-ga abantu n'ingo mu Burundi ivuga ko kizira kwabirana ku bantu bakomokanako.

Uburezi burundu buha umurerano uburenga-nzira bwo kuba nk'u-mwana yavutse muri uwo muryango w'umu-rezi akagira uburengan-zira n'ivyo asabwa. Bitegekanijwe n'ingingo ya 34 ivuga ko umure-rano afise uburengan-zira n'ivyo asabwa mu muryango w'umurezi co kimwe n'abana bavutse muri uwo muryango.

Umurerano arafise ubu-renganzira bwo kugira izina no kwandikwa mu bitabu ndangamuntu, bwo kuvuzwa arwaye, bwo gukingirwa no gu-tegekanirizwa kazoza, bwo kwiga, n'ibindi vyose vya nkenerwa ku mwana wese kugira abeho neza.

Iyindi nkurikizi yere-keye uburezi burundu ni ihindurwa ry'izina ry'umurerano.

Tubisa-nga mu ngin-go ya 33 y'ibwirizwa n°1/004 ryo kuwa 30 ndamukiza 1999 rihin-dura ingingo z'itegeko rigenga ingo n'abantu mu Burundi ku vyere-keye uburezi ivuga ko uburerano buha umure-rano izina ry'umurezi. Iyo umurezi ari umuntu afise uwo bubakanye, umurerano ahabwa izina ry'umugabo.

Nk'uko twavuze ko ubu-rezi ari kimwe mu vye-rekana inkomoko y'um-wana, ingingo y'100 y'iri tegeko-bwirizwa ivuga ko ukwabirana kubu-jijwe hagati y'umurezi n'umurerano canke ha-gati y'umurerano n'aba-muka k'umurezi.

Kurabujijwe kandi ha-gati y'umurerano n'u-wubakanye n'umurezi wiwe, co kimwe no ha-gati y'umurezi n'uwo bubakanye n'umurera-no wiwe.

Ikindi twovuga kuri ubu burezi burundu ni uko ari ntabanduka.

Mu gusozera, twagira twibukanye ko uburezi burundu butuma umu-rerano atakaza amateka mu muryango yavut-semwo akagira uburen-ganzira bumwe n'abana bavutse mu muryango w'umurezi.

Uburezi butegerezwa gushira imbere ineza y'umwana muri vyose ari yo mpamvu sentare igenzura ko umurezi akwije ibisabwa kugira ashobore gutunga umu-rerano. Izi ntambwe zo-se zitegekanijwe zifise intumbero yo gukingi-ra umurerano amabi yokwinyegeza inyuma y'uburezi.

Twokwibukanya kandi ko ubu burerano bu-tandukanye n'ivyo du-sanzwe dukora bija-nye n'ugufasha abana b'abandi dutunze mu miryango yacu.

Ntihagire uwuca areka gufasha kuko abo bana ntibaheza ngo baduto-rane kubera atari aba-rerano kandi kubarera nta ruhusha bisabirwa.

***Ikigo ca leta kijejwe guteza imbere agateka ka zina muntu no gukinga ihonyabwoko «CPDHPG »***

# Imyaka 25 irarangiye chorale y'urwaruka muri paruwase Mikaheli Mweranda iririmbira Imana


Foto: Chanel HARINGANJI

Hari ku wa 23 Ruheshi 2024, aho chorale y'urwaruka yitiriwe Bikira Mariya Umuvyeyi w'impuhwe n'ikigongwe irangurira ubutumwa muri paruwase Mikaheli Mweranda muri diyoseze nkuru ya Bujumbura, niho yahimbaza yubile y'imyaka 25 ira-ngiye, ifasha abakristu gusenga biciye mu ndirimbo.

Ivyo birori vyatanguwe n'Inkuka y'Imisa yaririmbwe n'iyo chorale nyene igihe c'isaha zibiri zo mu gitondo, irongowe n'umusaserdoti ajejwe imirwi n'imihari muri iyo paroisse, patiri BIGIRIMANA Prosper.

NZIGAMASABO Vianney benshi bazi kw'izina rya Vichou, ni umwe mu bahinga b'umuziki mu Burundi, akaba asanzwe ari muri iyo chorale, aremeza ko ataba Imana, atoshobora kubaho. Ngo nico gituma ibikorwa vyiwe vy'umuziki abibangikakanya no kuririmbira Imana nkako vyose turabirekuriwe, ariko si vyose bitugirira akamaro.


Foto: Chanel HARINGANJI

NZIGAMASABO Vianney benshi bazi kw'izina rya Vichou, umwe mu bahinga b'umuziki mu Burundi

Impano afise y'ubuhinga bwo kuvuza umuziki, ntiyayigunganye yaciye ayigisha abandi, kuko ubu bahagaze neza mu bijanye no gucuraranga, ati: *" Naronse ataco ntanze, nanje nzotanga ataco nsavye ».*

NZIGAMASABO Vianney, kandi afise ubumuga bwo kutabona neza, aravunira akagohe abantu bibaza ko abafise ubumuga ari abo gutabwa canke ari abo gusegesha, ati : «Nibateshwe bate », kuko ataco Imana yakoreye ubusa mu kubarema.


Foto: Chanel HARINGANJI

RUBERINTWARI Anicet, arongoye iyo chorale, avuga ko n'ubwo iyo yubile irangiye ibikorwa vya chorale birabandanya kandi ko bagiye kwongereza inguvu mu kuririmba, akaboneraho no gutumirira urwaruka kuyihurumbira kugira baze gufashanya n'abandi muri ico gikorwa.

Na patiri BIGIRIMANA Prosper ajejwe imirwi n'imihari muri iyo paruwase, arakenguruka ubutumwa burangurwa n'iyo chorale, kuko ihande y'ibikorwa vy'amaboko bakora, barafasha abakristu gusenga neza, ico kikaba ari ikintu bakenguruka cane.


Foto: Chanel HARINGANJI

Aratumirira abakristu na cane cane abaririmbiramana kwumva ko paruwase ari iyabo, ivyo bigaheze bikabaha kwitanga kugira umuryango w'abakristu utere imbere, kandi bakamenya ko uwuririmvye neza aba asenze kabiri.

Mwomenya ako, abakristu ba paruwase Mikaheli Mweranda bahimbarwa n'ubutumwa burangurwa n'iyo chorale, kuko ari imwe mu ma chorale asanzwe abafasha gusenga neza biciye mu ndirimbo.

Iyo yubile ikaba yahimbajwe ku civugo ngo: *« Duhimbaze yubile mu kwama dushimisha Imana n'igihugu cayo, dufashijwe n'Umuvyeyi w'impuhwe n'ikigongwe»*

**Chanel HARINGANJI**